**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°16 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 31 MYANDAGARO 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 31 Myandagaro 2022, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 24 Myandagaro 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Ivyihwejwe navyo ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 03 Ntwarante 2016 risubiramwo amakori atozwa mu makomine,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano

Ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 03 Ndamukiza 2016 risubiramwo amakori n'amatagisi atozwa mu makomine ryarahuye n'ibibazo mw'ishirwa mu ngiro ryaryo, ku mvo nyinshi:

- Inzandiko mperekeza z'iryo bwirizwa ntizigeze ziboneka ;
- Ishingwa ry'urugero rw'amakori n'amatagisi ategekanywa n'iryo bwirizwa vyarekewe inama za komine, inkwirikizi ikaba ari uko abenegihugu batariha ayangana kuko komine yose yashinga ayayo;
- Iduga ry'ibiciro kw'isoko, n'izindi mpinyanyuro ku bijanye n'amakori n'amatagisi vyatumye Komine zitoza intica ntikize ;
- Ikori ku mazu apanzwe ryahora ritozwa n'amakomine ryasubiye gutozwa na Reta , ivyo bikaba vyatumye komine zimwe zimwe zisubira inyuma naho vyari bitegekanijwe ko ibice mirongo itandatu kw'ijana (60%) vy'iryo kori biherezwa Komine ;

- Intererano ingana n'ubusa n'ibice bitanu kw'ijana (0,5%) vy'ikori nyongeragaciro Reta yari yemeye gutanga mw'iterambere ry'amakomine nk'uko bitegekanijwe n'ibwirizwa ntiyigeze itangwa.

Ivyo vyatumye Komine zibura uburyo bwo kurangura ibikorwa vya minsi yose be n'ubwo gushira mu migambi y'iterambere.

Iruhande y'izo ngorane, birakenewe ko iryo bwirizwa ryisunga ibwirizwa nshingiro, kuko rivuga ko umwaka w'amafaranga utangura kw'igenekerezo rya 01 Mukakaro ugahera kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi ry'umwaka ukurikira.

Ivyo nivyo bitumye ibwirizwa rigenga amakori n'amatagisi atozwa na Komine risubirwamwo.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze **bikenewe ko abahinga basubira bakayihweza neza,** kugirango barabe ko itoba ivuguruzanya n'amabwirizwa yandi ahari agenga amakori n'amatagisi.

Iyo nteguro izoheza igarukanwe mu nama nshikiranganji inyuma y'ico gikorwa, kandi yahinduwe mu rurimi rw'Ikirundi.

2. **Integuro y'ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro rihindura ibwirizwa n° 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ryerekeye igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo,** yashikirijwe n'Umushiranganji w'ubutungane

N'aho habaye impinyanyuro zerekeye indinganizo y'inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo yakozwe mu mwaka wa 1987 no mu mwaka w'2005, ntizashitse ku mahangiro yose yari yitezwe kugira habeho ubutungane butunganiriza bose, bwegereye cane ababwitura, bunyarutsa imanza kandi bushikirwa na bose.

Nkako, umuntu yihweje ingene inzego z'ubutungane bw'Uburundi ziringanijwe biraboneka ko hariho ibintu vyinshi biboha ubutungane, n'izindi nzitizi zituma ubutungane budakora neza.

Ni co gituma vyabaye ngombwa ko hasubirwamwo Igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo, kugira ubutungane buroranishwe n'ibihe kandi bukore neza.

Mu kugira iyi nteguro y'ibwirizwa, hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa, hongerwamwo ingingo zifise intumbero yo kuringaniza inzego z'ubutungane mu buryo bugezweho, canke kuzorohereza ingene zikora. Iyi nteguro ifise kandi intumbero yo gutuma umucamanza agira ivyo abazwa n'ivyo ategerejwe gukorera abenegihugu ahamagarirwa gutunganiriza.

Bishasha bikuru bikuru muri iyi nteguro ni ibi bikurikira :

- Ugushinga ko hashirwaho intahe y'umucamanza umwe rudende mu manza zimwe zimwe, kugirango umucamanza ashinzwe idosiye yemange ingingo afashe;
- Ishirwaho ry'uburenganzira bw'ugushikiriza iciyumviro kinyuranye n'ingingo yafashwe mu ntahe, iyo umucamanza afise ivyiyumviro vyiwe yisangije canke binyuranye n'ivy'abandi mu gihe batahurije ku ngingo yafashwe n'intahe yashashemwo;
- Ugushira abashikirizamanza muri sentare z'intango;
- Ukwongereza agaciro k'imanza z'amatati Sentare y'intango ifitiye ububasha;
- Gusubizaho ingendo y'ukwunguruza urubanza incuro zibiri ku manza zerekeye amatongo atari ayo mu bisagara;
- Ugushiraho Sentare isubiramwo imanza zerekeye ubudandaji hamwe n'ibisata bica imanza zerekeye ubudandaji muri sentare nkuru z'igihugu;
- Ugutunganya bushasha sentare zica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwe bimwe, mu gushiraho ibisata bijejwe guca izo manza muri sentare nkuru zisubiramwo no muri sentare zica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo;
- Uburyo bw'ingene hasubira gutororokanywa inzandiko zishirwa mw'idosiye irungikwa n'umushikirizamanza muri sentare, iyo biturutse k'ukuzimangana, zakuwe mw'idosiye canke zatakaye.

Inama nshikiranagnji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Kwandika mu rubanza rwaciwe iciyumviro kinyuranye n'ingingo yafashwe mu ntahe, iyo umucamanza afise ivyiyumviro vyiwe yisangije canke binyuranye n'ivy'abandi, mu gihe batahurije ku ngingo yafashwe n'intahe yashashemwo;
- Gutegekanya igisata co kurwanya igiturire muri Sentare nkuru z'igihugu be no muri Sentare z'iyungururizo;
- Kwerekana ingene Sentare zo ku mugina zikorana na Sentare z'intango
- Gushira muri iyi nteguro ko Sentare ziza zirakurikiranira hafi imanza ziri mu ma Sentare ari munsi yazo, kugirango abacamanza baze bariyubara;

- Gushira muri iyi nteguro ko umuntu ashobora kwitura Inama nkuru y'ubucamanza iyo abonye ko yarenganijwe no kwerekana Sentare iheza igashira mu ngiro ingingo y'iyo Nama nkuru y'ubucamanza

3. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, ingene zicibwa n'ingene zikurikizwa**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubutungane

Ivyerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa mu Burundi ubu bigengwa n'ibwirizwa inomero 1/10 ryo ku wa 13 Rusama 2004.

Naho haciye imyaka icumi n'umunani iri bwirizwa rishizweho, hakaba haranabaye intambwe zishimishije mu butungane, haracibonekeza intambamyi zimwe zimwe zituma bitoroha kwitura ubutungane, ari na zo zikwiye gutorerwa inyishu zibereye. Twovuga nk'intambamyi zijanye n'ugutevya guca imanza, imanza zidacibwa ngo zihere, ingorane zijanye n'ikurikizwa ry'ingingo za sentare, ingorane zijanye n'uko sentare ziri kure y'abenegihugu, amayeri ababuranyi bakoresha y'ukudindiza imanza, n'ibindi .

Mu ntumbero yo gutuma imanza zicibwa zikongera zigakurikizwa neza, ni ngombwa ko Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa, gisubirwamwo kugira kiroranishwe n'ibikenewe muri iki gihe.

Iyindi ngorane yibonekeza mw'ibwirizwa ririko rirasubirwamwo ni iyijanye n'ingingo zimwezimwe zikurikizwa mu gufata amatungo. Kukaba nkako, amatungo amwamwe aragoye gufata naho yoba ari yo ngwati yatanzwe kugira abafitiwe imyenda barihwe.

Iyindi ntambamyi ihari itokwirengagizwa yerekeye ivyo abo Reta yashinze amabanga n'abakozi bayo bobajijwe ku makosa bakoze Reta akaba ari yo ibibazwa canke ibisata vyayo. Ibwirizwa rihari ubu ritegekanya ko Reta iha indishi abakorewe amakosa n'abo yashinze amabanga canke abakozi bayo maze na yo ikazoca ibiyishuriza. Ubwo buryo bwotegerejwe guhindurwa kugira abakozi ba Reta bakore neza kandi babazwe n'ivyo baranguye ukutari ko.

Bishasha bikuru bikuru muri iyi nteguro ni ibi bikurikira :

- Ishirwaho ry'umucamanza ajejwe gusuzuma ko ibikenewe bikwiye, kugira urubanza rushobore kuburanishwa ;
- Ukugabanya ibiringo vy'imanza ;
- Ishirwaho ry'uburenganzira bw'ugushikiriza iciyumviro kinyuranye n'ingingo yafashwe mu ntahe, iyo umucamanza afise ivyiyumviro vyiwe

yisangije canke binyuranye n'ivy'abandi mu gihe batahurije ku ngingo yafashwe n'intahe yashashemwo;

- Uguhindura ibijanye n'ukwunguruza urubanza mu ntumbero yo kugabanya amadosiye y'umurengera ari muri sentare z'iyungururizo;
- Uguhindura uburyo bw'ugukurikiza imanza mu gutanga uburenganzira bw'uko amatungo yose ashobora gufatwa kugirango abaheraniwe baronke uburyo bwinshi bw'ugushobora kurihwa;
- Uruhusha rw'ukwigurishiriza amatungo yafashwe imbere yuko agurishwa ku nguvu ;
- Ifutwa ry'uburyo bw'ukugurisha ingwati hakurikijwe ibiba vyashizwe mu masezerano;
- Uburyo bundi bw'ugutatura amatati mu kwumvikanisha abafitaniye amatati;
- Ingingo zidasanzwe zikurikizwa mu bijanye n'intwaro zaratomowe,mu gutegekanya ko mu gihe hitwariwe Reta canke ibisata vyayo, umutegetsi wo mu ntwaro yafashe ingingo canke yakoze ikosa,Reta canke ivyo bisata vyitwariwe, uwo mutegetsi ategerezwa na we nyene kwitwarirwa kugira arengukane n'umushingwamanza wa Reta, hanyuma mu gihe Reta hamwe na we baciriwe igihano, ishirwa mu ngiro ryaco rizotangura gufata amatungo y'uwo mutegetsi.
- Ibijanye n'ugusohora abakose amazu vyaratomowe neza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro **yarayemeje,** mu vyo yasavye hakaba harimwo ko ibijanye n'uko Reta n'umutegetsi wo mu ntwaro bashobora gufatirwa igihano hamwe, vyovanwamwo kuko umuntu ahanwa ku gatwe kiwe.

4. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'i Georgetowm asubiwemwo, yateweko umukono kw'igenekerezo rya 20 Ruheshi 2021**,yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe iyinjira ry'Uburundi mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko mu kibanza c'umushikiranganji ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mu migambi y'iterambere yari yafatiriwe n'ayandi mabanga.

Amasezerano yateweko igikumu i Georgetown niyo yashinze umurwi w'ibihugu vyo muri Afrika, Caraïbes na Pacifique (ACP) ukaba ugizwe n'ibihugu 79.

Inama igira icenda y'Abakuru b'ivyo bihugu yabereye i Nairobi ku magenekerezo ya 09 na 10 Kigarama 2019 yarasubiyemwo ayo masezerano.

Muri iyo nama, Abakuru b'ibihugu bafashe ingingo yo guhindura uwo murwi, uca uba ishirahamwe mpuzamakungu ry'ibihugu vya Afrika, Caraïbes na Pacifique (OEACP). Akamaro k'iyo mpinduka ni kugirango iryo shirahamwe rishobore kugiranira amasezerano n'abandi ryobona ko bofashanya, ntirigume kw'ishirahamwe ry'ibihugu vya Bulaya gusa.

Inama nshikiranganji ihejejeje guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje.**

5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza isubirwamwo ry'amasezerano yo gukingira ibintu birimwo ubumara bwa nikereyeri**
6. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gukingira ibintu birimwo ubumara bwa nikereyeri**

Izo nteguro uko ari zibiri zashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka mu kibanza c'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mu migambi y'iterambere yari yafatiriwe n'ayandi mabanga.

Amasezerano ajanye no gukingira ivyo vyose birimwo ubumara bwa nikereyeri yemejwe kw'igenekerezo rya 26 Gitugutu 1979, atangura kuja mu ngiro kw'igenekerezo rya 08 Ruhuhuma 1987 ahagarikiwe n'Igisata mpuzamakungu kijejwe amasoko ntanganguvu ava mu birimwo nikereyeri ('Agence Internationale de l'Energie Atomique (AIEA)..
Igihugu c'Uburundi kiri muri ico gisata kuva mu mwaka w'2009.

Reta y'Uburundi yaremeje ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amasoko ntanganguvu n'imishwarara biva mu butare burimwo nikereyeri, gurtyo bikazotuma ayo masezerano ashirwa mu ngiro mu bisata vyose, ni ukuvuga amasoko ntanganguvu, amagara y'abantu, uburimyi, ibidukikije n'ibindi, mu buryo butabangamira ubuzima bw'abantu.

Kubera ko ivyo bintu birimwo ubumara bwa nikereyeri bishobora kwibwa, bigakoreshwa mu bikorwa vy'iterabwoba mu gihugu kimwe, bikagira ingaruka ku bindi, Uburundi bufise inyungu mu kwemeza ayo masezerano kugirango bwifatanye n'amakungu, hagize nk'isanganya canke iyindi ngorane iba ivuye kuri mwen'ubwo bumara.

Izo nteguro uko ari zibiri **zaremejwe**, inama nshikiranganji imaze kuzihanahana ko ivyiyumviro.

7. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/128 ryo ku wa 23 Ruheshi 2016 ritangaza vy'imfatakibanza ko itongo ryo kwubakwamwo inyubakwa zigenewe ibiro vy'Umukuru w'Igihugu rikenewe ku nyungu ya bose**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Kw'igenekerezo rya 23 Ruheshi 2016, haratewe umukono kw'itegeko n°100/128 ritangaza vy'imfatakibanza ko itongo rifise uburinganire bwa hegitari 200, riri ku

mutumba wa Gasenyi, Komine Mutimbuzi, Intara ya Bujumbura rigenewe kwubakwamwo ibiro vy'Umukuru w'Igihugu rikenewe ku nyungu ya bose.

Iryo tongo ryari iry'abenegihugu, ibijanye n'umuzibukiro vyarizwe, amahegitari 40 araronkerwa uwo muzibukiro, 160 nayo akaba atarawuronswa.

Hamaze kwihwezwa iryo tongo ingene ringana, abajejwe ivy'umutekano babonye ko ridakwiye kugirango ingoro y'Umukuru w'igihugu icungerwe neza. Bashikirije ko amatongo ari ku ducimbiri Remba na Karama turi ku mutumba wa Gishingano ku buringanire burenga gato hegitari 334 yojamwo.

Nico gituma iyo nteguro ishikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira ::

- Ku mutwe w'iyo nteguro gukuramwo amajambo "vy'imfatakibanza" ntihagire ababitahura ukutariko;
- Kurondera ikibanza ababa muri iryo tongo bokwimurirwamwo, nk'icari catowe mu ntango, kandi kitari kure y'aho, kugirango cubakwemwo izo nyubakwa, kandi ababa muri ico kibanza bararonkejwe umuzibukiro;
- Kuzitira iryo tongo rishasha ryatangajwe ko rizokwubakwamwo inyubakwa zigenewe ibiro vy'Umukuru w'Igihugu kugirango ntihagire abibaza ko rigenewe ikindi;
- Kuraba mu Ntara cane cane hafi y'imirwa mikuru ibibanza vyotangazwa ko ari ivya Reta, kugirango zizoronke aho zirangurira imigambi.

8. **Dosiye yerekeye isabwa ry'ikibanza ku Kiyaga Tanganyika, mu Kajaga, muri Komine Mutimbuzi, co kuranguriramwo umugambi ujanye no kwubaka ikivuko cigenga n'aho kwubakira no gusanurrira ubwato,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Kw'igenekerezo rya 29 Nzero 2022, uwurongoye urwego nshingwantwaro rw'Ikivuko cigenga c'i Bujumbura yaranditse ikete ryo gusaba ikibanza corangurirwamwo uwo mugambi.

Iryo shirahame ry'Ikivuko cigenga ca Bujumbura rihuriyemwo amashirahamwe abiri ariyo "Canadian Total Logistic" rigizwe n'Abarundi baba muri Canada, be n'ishirahamwe "SOCIBUA-ABAHIZI".

Uwo mugambi uhuye n'indinganizo y'itunganywa ry'inkengera z'Ikiyaga Tanganyika.

Iryo shirahamwe ryaramaze kwegeranya uburyo n'ubuhinga bukenewe kugirango uwo mugambi ushoboke.
Ikibanza gisabwa kikaba kirenga gato hegitari 22.

Uwo mugambi uje gutorera inyishu ingorane zikurikira:.

- Ibura ry'ibibanza vyo kwubakiramwo no gusanuriramwo ubwato ku Kiyaga Tanganyika;
- Ibibazo bijanye no gushikana ibidandazwa mu Burundi no mu bindi bisagara vyo muri aka karere;
- Ikena ry'akazi.

Inama nshikiranganji yihweje uwo mugambi yasanze ari mwiza, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Uwo mugambi worangurwa, abigenga bawufatanije na Reta (Partenariat Public-Privé) ;
- Kurondera ikibanza uwo mugambi worangurirwamwo, kuko ahatowe ni ahantu hagenewe ingenzi;
- Mu gihe ico kibanza cotorwa kigatangwa, gushinga ikiringo uwo mugambi woba waranguwemwo ;

Ubushikiranganji bujejwe gutwara abantu n'ibintu n'ubujejwe ibidukikije bwasabwe gukurikiranira hafi uwo mugambi.

9. **Integuro y'itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko n°630/123 ryo ku wa 07 Ruhuhuma 2012 rishiraho umugambi w'igihugu wo kurwanya Sida n'ingwara zifatira mu bihimba vy'irondoka,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida

Ingwara y'igitigu irabangamiye amagara y'abantu kw'isi yose.

Mu Burundi, ntibizwi neza ingene iyo ngwara yifashe. Ariko icegeranyo co muri Nzero 2019 cerekana ko umugera w'ingwara y'igitigu B na C, wiyongera ku bantu bakuze.

Mu ntumbero yo guhangana n'ico kibazo, umugambi w'igihugu wo kurwanya ingwara y'igitigu ku kiringo co kuva mu 2018 gushika 2022 urerekana ihangiro ry'Ubrundi gushika mu mwaka 2030. Naryo ni uko abantu bafise inyo ngwara boshobora kuvurwa neza, ku buryo butavuna, kugirango uwo mugera utera ingwara y'igitigu B na C ube waranduranywe n'imizi mu mwaka w'2030.

Kuva mu mwaka w' 2019, kurwanya ingwara y'igitigu bikorerwa mu mugambi w'igihugu wo kurwanya Sida n'ingwara zifatira mu bihimba vy'irondoka.
Nico gituma bikenewe ko itegeko n°630/123 ryo ku wa 07 Ruhuhuma 2012 rishiraho umugambi w'igihugu wo kurwanya Sida n'ingwara zifatira mu bihimba vy'irondoka ryohinyanyurwa, kugirango ibijanye no gukinga no kuvura ingwara y'igitigu navyo nyene bijemwo.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro**, yarayemeje.**

10.**Integuro y'umugambi wo gukomeza amabarabara mu Burundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi, mu kibanza c'umushikiranganji ajejwe inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro, yari yafatiriwe n'ayandi mabanga..

Mu ntumbero yo kugwiza amabarabara mu Burundi no guhangana n'ingaruka n'izihindagurika ry'ibihe zituma yononekara, hariho umugambi uriko urategurwa ujanye no gukomeza amabarabra mu Burundi « Projet de Résilience des Transports, mu rurimi rw'igifaransa", uzoba ufashwe mu mugongo n'Ibanki y'isi yose, ku buryo bungana na miliyoni ijana na mirongo ibiri z'amaborari y'abanyamerika.

Ubwo buryo buzokoreshwa mu mice ikurikira :

- Gusanura amabarabara kugirango ihindagurika ry'ibihe ntiriyagireko ingaruka mbi
- Gutunganya neza amabarabara ku mpande zicamwo abagenda n'amaguru, canke amakinga;
- Kunagura ibisata bijejwe amabarabara
- Gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'uwu mugambi

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Gutosora iyo nteguro mu gukuramwo amajambo amw'amwe atabereye ;
- Kuraba neza ko ibiharuro birimwo ari ivy'ukuri;
- Muri uwo mugambi, kutibagira ko bimwe bimwe bizokwimurwa nk'intsinga za REGIDESO, ONATEL, BBS n'ibindi, kugirango biharurirwe uburyo buzokenerwa;
- Kuraba ko ata bindi vyokenera uburyo bwiyongerako bijanye n'uwo mugambi kugirango busabwe hakiri kare**.**

**11.Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi yarashikirije urwandiko rujanye n'ishingwa ry'amanota azofatirwako mu kwinjira mw'ishule ikurikira ishule shingiro n'ingene abanyeshule bazinjirayo. Ayo manota ni mirongo itatu n'atandatu kw'ijana ( 36%).

  Yamenyesheje ko ku gitigiri c'abanyeshule bakoze ikibazo bangana ibihumbi mirongo irindwi n'abanyeshule umunani (70 008), ibihumbi mirongo ibiri n'umunani n'amajana umunani na mirongo itandatu na batandatu (28 866) baronse amanota angana canke ari hejuru ya mirongo itanu kw'ijana (50%. Abazorungikwa mu mashule ya Reta afise indaro no mu Gisagara ca Bujumbura bangana n'ibihumbi icumi n'amajana icenda na mirongo itanu na batanu (10 955).
  Abazoja mu ma Lycée y'amakomine n'ayo mu gisagara biga bataha bangana n'ibihumbi mirongo itanu na kimwe n'amajana umunani na mirongo ibiri n'umunani (51 828).

  Abayobewe ico kibazo nabo barashobora kuja mu mashule y'imyuga, canke bagasubiramwo umwaka ibibanza bibonetse.
  Inama nshikiranganji yasavye ibi bikurikira :
    - Kuraba ico amashule y'akarorero asa n'ayagaragara yokoreshwa ;
    - Kwiga ingene abanyeshule b'Abatwa bofatwa mu mugongo ;
    - Kubuza ingendo yibonekeza yo gusimbisha abana amashule.

- Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira yarashikirije urwandiko rwerekeye abateshejwe izabo kubera ibiza n'ivyaduka kama n'ibiriko birakorwa kugirango ikibazo cabo gitorerwe inyishu irama Hari inzira zitatu zishoboka nazo ni izi zikurikira

    - Kubo bishoboka, kubasubiza iyo baje bava ;
    - Kubagumiza aho babaye barimurirwa ;
    - Kubaronderera ahandi bashobora kwimurirwa.

  Yamenyesheje ko ivyo bisaba ko abo bose vyega bategerezwa kugira ico bafashije harimwo n'abafashanya n'Uburundi kuko bisaba uburyo n'ubuhinga bwinshi.

  Inama nshikiranganji yamusavye gukorana cane n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu Gihugu muri ico gikorwa.

- Muguheraheza, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye abashikiranganji ko integuro zigenewe inama nshikiranganji zotunganywa kandi zigatangwa hakiri kare kugirango abahinga baronka akanya ko kuzica hirya no hino.

Bigiriwe i Bujumbura, Igenekerezo rya 01 Nyakanga 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE